Bujumbura, kuwa 02 Munyonyo 2018 vol 38/018 UKURI

IBIGANIRO BIHUZA ABARUNDI I ARUSHA VYARANGIYE ATANAKIMWE BIVUYEMWO.

Mu gihe hari haheze imisi hariko haba ivyo bamwe bita ibiganiro abandi bakavuga ko bitari ibiganiro, kur'uyu wa kabiri umufasha w'umuhuza mu matati y'abarundi Benjamin William Mkapa yarasozereye ku mugaragaro ivyo yise ibiganiro bigira gatanu ngo kandi ari navyo vya nyuma nk'uko yari yabimenyesheje.

Nubwo reta y'Uburundi yanse kwitaba ivyo biganiro igatako ikanamenyesha ko n'ibizovamwo bitayiraba, abanyaporitike bari bitavye ivyo biganiro bo bamenyesha ko ico ari ikimenyetso simusiga cerekana ko atayindi nzira isigaye atari inzira y'indwano igiye gusubira gusutama mu Burundi.

Bamwe mu bari bitavye ivyo biganiro baranubahutse kuvuga ko biteguriye mbere gushigikira intambara aho bamenyesha ko nabo nyene babujijwe n'imyaka y'ubusaza ngo nayo ubundi nabo nyene botoye ibirwanisho bakaja guhangana n'iyo ntwaro ya Petero Nkurunziza yigize ikinani.

Mu gikorwa abo batavuga rumwe na reta y'i Bujumbura bari bahawe gukora mu iyo misi bamaze i Arusha mu gihugu ca Tanzaniya bahavuye bagihindirira intumbero, kuko aho gutegura urupapuro rw'inzira rwoshikana ku matora yo mu mwaka wa 2020 nk'uko bari babitumwe n'abamwe mu bafashanya n'umufasha w'umuhuza, bahisemwo gutegura urupapuro rwofasha gukura uburundi mu kaga burimwo.

Muri urwo rwandiko bashikirije, ibintu bikuru bikuru bashizemwo nuko hofutwa ibwiriza nshingiro rishasha riheruka gutorwa mu matora yakamarampaka yo kuwa 17 rusama 2018, gufuta umurwi w'amatora uheruka gushirwaho hakajaho uwumvikanyweko n'abanyapolitique mubiganiro vyohuza aberwa n'amatati y'abarundi atawukumiriwe kandi uwo murwi ukaba urimwo abanyamahanga, kubanza guhungura impunzi hamwe rero nogufuta imitahe yabagirizwa gutembagaza ubutegetsi mu 2015 barenga 34.

Ibindi biri mu vyashikirijwe n'abo banyeporitike batavuga rumwe na reta y'Uburundi kukaba ari kubanza gusuzuma ko amasezerano ya Arusha yubahirijwe imbere yo gutegura amatora, kwemera ko harungikwa abarorerezi mvamakungu barimwo n'abocungera umutekano w'abanyepolitike nayo ishirahamwe mpuzamakungu ONI n'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika bakaba barisaba gushiraho urwego rushasha rwo kuganiriramwo.

Abatari bake rero, haba mu bahora i Arusha canke nabatagiyeyo, babona ko ukubandanya ibiganiro vyofatwa mu minwe n'akarere, Ubumwe bwa Afrika hamwe n'ishirahamwe mpuzamakungu ONI. Barongeye bavuga ko naho umufasha w'umuhuza yavuze ko asozereye ibiganiro, ngo nyabuna hategerezwa kuronderwa ubundi buryo bwotuma hashikwako umwumvikano.

B.Armel

AMASHIRAHAMWE ATANDUKANYE ADAHARANIRA IVYICARO VYA PORITIKE MU BURUNDI NTIYASIGAYE INYUMA MU KWEREKANA KO BIBABAJE KUBONA IBIGANIRO ATACO VYASHOBOYE KUVAMWO.

Ishirahamwe ryishinze gukangurira abarundi guhindura ingendo n'ivyiyumviro PARCEM ryamenyesheje ko ribabajwe no kubona igice ca 5 c'ibiganiro biheruka kuba i Arusha mu gihugu ca Tanzaniya ataco vyashitseko kuko hari uruhande rumwe rwavyitavye hamwe n'urundi rutitavye ivyo biganiro.

Mu kiganiro umukuru wa PARCEM yahaye abamenyeshamakuru kur'uno wa gatanu igenekerezo rya 26 Gitugutu 2018, Faustin Ndikumana yavuze ko ibibazo vy'ubutunzi, imibano hamwe n'ivya poritike igihugu gifise ubu bidashobora gutorerwa umuti mu mezi 18 asigaye kugira amatora abe.
Faustin Ndikumana avuga ko inzego zotorwa mu matora ya 2020 arizo zonyene zofasha gukuraho ivyo bibazo vyo mu gihugu akaba yavuze ko niyo habura inzego mu mwaka wa 2020 zishobora gutorera ibibazo igihugu kirimwo igihugu hamwe n'abanyagihugu bazoba bahuye n'ivyago bikomeye.

M.Dior

IMBONERAKURE ZATANGUYE GUSUBIRANAMWO INYUMA YO KU KUGANDAGURA ABO BATAVUGA RUMWE.

Inyuma yaho imbonerakure mu gihugu cose zisigaye zigandagura abantu ku mugaragaro izuba ryaka na cane cane aho hahora hagandagurwa abanyagihugu badashigikiye ubutegetsi bwa Petero Nkurunziza nizo mu ntara ya Gitega ntizasigaye inyuma.

Imbonerakure yitwa Ntezicimpa Bede yakora akazi ko kunguruza abantu kwipikipiki mu gisagara ca Gitega yaragandaguwe n'izindi mbonerakure arizo Dushime Eloge, Gentil Elvis Arakaza, Pacifique Irakoze hamwe na Jean Marie Nshimirimana barondera kumwiba ipikipiki yiwe.

Sentare nkuru y'igihugu y'intara ya Gitega rero ikaba yaciriye umunyororo w'ubuzima bwabo bwose abo bagirijwe ico caha co kwica bunyamanswa umumotari yitwa Bede Ntezicimpa naho abatari bake batabishimye kubera ko abo bahanwe ari kubera hapfuye imbonerakure.

Naho umuvugizi wa Sentare ntahinyuzwa Agnes Bangiricenge yamenyesheje ko Eric Hakizimana yagirizwa kubika ipikipiki yibwe yaciriwe umunyororo w'impaga w'umwaka umwe nayo izo zindi mbonerakure uko ari 4 zigacibwa umunyororo w'ubuzima bwabo bwose mbere bagaca batwarwa mw'ibohero rikuru ry'intara ya Gitega, abanyagihugu babandanya bamenyesha ko ivyo gusa bidakwiye kuko ngo ubutungane ntibwari bukwiye guhinduka inkoni y'umugambwe

CNDD-FDD gusa. Hari mbere n'abatarya umunwa aho bavuga ko hageze ko ibintu bihinduka kuko ngo ibintu bigeze ahantu habi cane muri kino gihe.

I.Axel

IKIGO MAISON SHALOM CARATANGUJE UMWAKA WAHARIWE UGUHIMBAZA IMYAKA 25 KIMAZE CUGURUWE.

Kur'uyu wa gatandatu igenekerezo rya 27 Gitugutu 2018, ikigo Maison Shalom caratunganije ibirori vyo gutanguza umwaka wahariwe ihimbazwa ry'imyaka 25 ico kigo kimaze kiriko kirafasha Uburundi n'abarundi mu butandukane bwabo.

Ivyo birori vyo gutanguza uwo mwaka bikaba vyatangujwe n'inkuka ya misa yasomewe muri ico kigo nyene ca Maison shalom.

Inyuma y'iyo nkuka ya misa, haciye hatunganywa ikiganiro hamwe n'ibindi bikorwa vyari bigamije kwerekana ivyaranguwe n'ico kigo mu myaka 25 kimaze.

Ivyo birori vyari vyitabwe n'abantu isinzi barenga 500 ahanini bakaba bari abanyeshure bo muri za kaminuza barihirwa n'ico kigo Maison Shalom.

Mu kiganiro cakozwe hagati y'umupfasoni Maragarita Barankitse asanzwe ari nawe yatanguje ico kigo hamwe hamwe n'abamenyeshamakuru, uwo mupfasoni yarashoboye kwishura kubibazo bari bamubajije.

Ku kibazo kijanye n'ikintu coba caramuzereye gusuba ibindi yihweje imyaka 25 iheze yuguruye ico kigo, Maragarita Barankitse yabishuye ati:" ***ikinyohera gusumba ibindi n'uko mu bana barerewe muri Maison Shalom ata kibazo c'ubwoko cigeze kibatandukanya. Bose bakuranye umutima w'urukundo hagati yabo bataravye amamuko canke ubwoko bw'umuntu. Niyo bariko baraganira n'abo batavuga rumwe muri reta y'ubu, ntibigera bacishamwo ivy'abahutu n'abatutsi. Ico rero nk'umuvyeyi kirampimbara cane kuko niyo ndoto yanje kuva ncugurura ikigo Maison Shalom. Ni intsinzi y'urukundo k'urwanko.***"

Ku kikazo kijanye n'ikimutera agahinda aravye imyaka 25 ico kigo kimaze, Maragarita Barankitse, n'agahinda kenshi, yagize ati:" ***Ibimbabaza gusumba ibindi ndabivuga mu mice ibiri. Ubwa mbere ndababazwa n'abana barezwe na Maison Shalom ariko mu nyuma bakemera kuja gukorana n'intwaro ihari ubu kuko bizwi neza ko ari intwaro isesa amaraso y'abarundi. Kuri jewe n'ikintu kintuma ntaryama ngo sinzire. Igihe cose nikanguye ndafata ishapure nkabasengera kugira bazoshobore kuva muri uyo muzimagiza. Birababaje kubona mu bana nareze harimwo abemeye gukorana n'ubutegetsi bwangaje umuvyeyi wabo hakwemera bakarya bike. Umubabaro wanje wa kabiri uhagaze ku kuntu bamwe mu bategetsi bo muri reta ihari bubahutse gushira izina ryanje ku rutonde rwabicanyi baronderwa na reta kandi bazi neza ukuntu kuva kera niteranije n'abantu atari bake ndiko ndabavugira kugira bashobore kubaho nk'abandi barundi bose. Kubona abantu wafashije bagushimira muri ubwo buryo, birahamba mu cobo.***"

Ku biganiro biriko birabera mu gihugu ca Tanzaniya, abamenyeshamakuru baramubajije akamo yotera abanyepolitike bari muri ivyo biganiro kugira abarundi bahunguke kandi n'impore igaruke mu gihugu. Kuri ico kibazo, Maragarita Barankitse yagize ati:" ***nk'umuvyeyi yabaye mu ndyane zagiye zikurikirana mu Burundi kandi nk'umuvyeyi yakiriye abana batagira shinge na rugero, mpamagariye abanyepolitike bari muri ivyo biganiro i Arusha kuvavanura n'umutima wo kwikunda maze bagaheza bakibuka ibihumbi vy'abarundi bahunze, abapfungiwe mu mabohero bazira ivyiyumviro vyabo, ababorejwe igufa canke bagafatwa ku nguvu, eka ndetse nabarwariye mu bitaro bitandukanye, ko rero boheza bagakora ibiganiro bishira imbere ineza y'umunyagihugu maze abarundi bagaheza bagasubira kubana mu mutekano kuri bose.***"

Ivyo birori bikaba vyasozerewe n'umurisho w'ingoma z'Uburundi. Abitavye ivyo birori baka batashe akamwemwe kabaswa kuko bahumviye vyinshi vyiza vyakozwe n'ico kigo Maison Shalom, haba mu gihugu c'Uburundi canke mu gihugu kibanyi c'Urwanda.

B.Armel

ABASIRIKARE BA RETA Y'UBURUNDI BARINJIYE KUBUTAKA BW'IGIHUGU CA REPUBURIKA IHARANIRA INTWARO RUSANGI YA CONGO BAGIYE KURONDERAYO UMURWI W'ABARWANYI BA RED TABARA.

Kuva kur'uyu wa kane igenekerezo rya 01 Munyonyo 2018 harabaye indwano zidasanzwe hagati y'abasirikare ba reta y'Uburundi bafadikanije n'interahamwe hamwe n'imbonerakure aho batanye mu mitwe n'abarwanyi b'umuhari Red Tabara mu misozi yo hakurya y'igihugu ca KONGO.

Izo ndwano zikaba zarabandanije no kuwa gatanu aho mu makuru atangwa n'abanyagihugu baba ahabereye izo ndwano yemeza ko abasirikare ba reta y'Uburundi bakubiswe bakagesera mbere abatari bake bo muribo bakaba barahasize ubuzima.

Ayo makuru nyene abandanya amenyesha ko abo barwanyi b'umuhari Red Tabara ngo mugukubita abo basirikare ba reta y'Uburundi ngo bababwira ko bemeye gukorera sebuja w'umwicanyi yica abarundi akangaza abarundi agapfunga abarundi bati icongeye kuri ivyo ariko arica urupfu rw''urubozo abarundi. Ngo rero nimbi baje guhangana n'abarwanyi ba Red Tabara ngo bababeshe, ngo ahubwo bagira babahane kugira n'uwabatumye abone ko ivyo yabatumye yabahenze.

M.Dior